**SILENCE, PLEASE**

# Lesson 148

**Joshua 5 :**

Memory verse : " ***Behold, I am the Lord, the Lord of all flesh ; is anything too difficult for me.*** " Jeremiah 32:27

## MU GIIHHE CO GUCEREZA ; HORA.

## Icirwa c'i 148

**Ijambo ngenderwako :** « *Ehe ndi Uhoraho, Imana y'abariho bose, mbega hari ikintu na kimwe conanira*. »? Yeremiya 32:27

**Yosuwa 5:1-5 ; 6:1-11**

**I. Intangamarara.**

Abisirayeli bamaze kwibonera kandi Imana ikorana nabo mu buryo butangaje. Uruzi Yorodani rucitsemwo kubiri, barujabuka atankomazi. Bari inyuma ya Yeriko i gilugali, none Imana ntibemereye ko baca bahatera, hari ico igomba kubanza kubigisha.

**1**.Itegeko ryo gukebwa kw'abagabo. Uku gukebwa ryari isezerano hagati ya Aburahamu n'Imana, rikaba ryerekana ko agasuzuguro gatembagajwe, kagashiburirwa kure, none icubahiro kibonetse. **Yos. 5:9** « *Uwu musi ndabakuyeko agakengere Abanyagiputa babakengereye, ndagatembagaje* » Ugukebwa kuvurwa mw'isezerano rishasha ni igihe umnyavyaha umugabo canke umugore, yihanye agakurwako agakengere Satani yamusizeko, 'Umunyavyaha' akaba 'umwana w'Imana' Imana ikorana n'uwakebwe mu mutima.

**2.** Ubwa kabiri, **Soma 5:10** Kwibuka Pasika. Imana yabasavye ko babikora nk'uko babikoze igihe bahaguruka bava muri Egiputa. Amaraso y'umwagazi w'intama arameneka, intsinzi iraboneka. Gereranya n'igikorwa ca Yesu ku musalaba. Abanyakanani barabibona bikabatangaza. Ehe bakoze umusi mukuru, imbere y'uko batsinda. Kubwo amaraso ya Yesu, intsinzi yama ihari.

**3.** Icagatatu, Imana yashatse kubigisha ko igihe ca Manu gihagaze. **Soma 5:11-12.** Muyandi majambo, ugutamikwa idrya biraheze, harageze ko banjira mw'isezerano ryo kurya babanje kubira akuya nk'uko vyabwiwe Adamu.

### II. Ububasha bw'Uhoraho ku ntsinzi y'abisirayeli.

Yeriko cari igtihugu kinini, kigizwe n'amaleta menshi, kandi Leta yose yaba ifise Umwami waho. Yosuwa yasabwa gutsinda i leta yose ukwayo. Muri zo, harimwo KANANI aho Aburahamu yahora aba, Imana ikaba yarahagabiye uruvyaro rwiwe. Aho niho bahagurutse bahanze amaso cane.

Kuhinjira vyasaba intambara, yateguriwe aho bashagaje i Gilugali. Nico gituma ku mirongo ya 13-15 hererekana ingene Yosuwa yabonye umugabo abagendeye kandi akavuga ko ari umukuru w'ingabo zÚhoraho. Yari Yesu Kristo.

Ubuhinga bw'uhoraho butari bumenyerewe ni aha yasavye Yosuwa gutoranya abahelrezi indwi, bagendana inzamba, isandugu y'Uhoraho ikabakurikira. Mu misi itandatu ntibemererwa gukura umunwa ku wundi bariko barahazunguruka. Ariko bakazovuza inzaba ku musi ugira indwi, intsinzi ibonetse.
Birumvikana ko iyo bemererwa kugenda bavuga, hatari kubura abagenda babwira abandi amajambo yo kubaca intege mu rugendo. Boshobora kubabwira ati : Ibi bintu ni uruhendo rwa Yosuwa, ibi turiko dukora ni ubujuju kweli, mbega uru ruzitiro ruzohomorwa n'aya mahembe ? N'ibindi.

Uku niko mu Rugendo ruja mw'ijuru, utazobura uwuza kukwegera, akigira umuntu mwiza azi vyinshi kandi umukunzi wawe, akakubwira amajambo yo kukwereka ibitagenda neza mu rusengero, uzumva agusaba no kubivamwo. Ico nico gihe cawe co kwihorera, ugashishikara gushika ushitse ku ntumbero yatumye uheba ivyaha. Ubwami bw'Imana si amajambo ni ukwizera gufatanije n'ibikorwa.

**III. Ndaguhaye igihugu.**
**6:2** « *Raba ntanze Yeriko mu biganza vyawe, hamwe n'Umwami waho n'abahizi baho.*»
Abisirayeli ni impuzi ziri inyuma y'urugo, Yeriko yubatse n'uruzitiro rw'amabuye kandi irugaranye, Umwami waho aracunzwe n'abahizi. None Uhoraho abishize mu maboko ya Yosuwa vyose.

Kubera Uhoraho ari umunyenkomezi, ahaye Yosuwa ubuhinga bwo kuhatsinda. Ku muisi ugira indwi bahazunguruke incuro indwi, abaherezi indwi bavuze inzamba. Kubera iki indwi vyose : igiharuro c'Imana cuzuye .

**Gucabugufi no kumvira:** Kubona abantu bagumizwa kuzunguruka igisagara incuro indwi imisi indwi n'uwindi karindwi, bohavuye bakavyanka, ariko bicisha bugufi, bumvira ico Imana yabo itegetse. Babikoze nk'uko Imana yabibasavye, za nkuta zirahomvoka, barinjira, bafata ico gihugu, Umwami waho n'abahizi baho. Ivyacu bizogenda neza niyo twicisha bugufi, tukumvira Imana.

## IV. Gushira mu ngiro.
Uko Yosuwa yahawe igihugu akiri inyuma y'inzitiro akabishikako ; niko natwe twahawe igihugu co mw'ijuru naho tukiri mw'isi. Bigusaba guheba ivyaha, ukumvira mw'ijuru ni ikibanza ciza cane.

Hari igituma ibimeze nk'ibisika imbere yawe vyanse guhomoka, biraterwa n'uku wamana induru mu kanwa mu kwidodomba. Vyarakunaniye gucereza ngo usenge Imana, ku musi w'indwi wishurwe. Yesu Kristo ni muzima, urashobora guhaguruka ugasenga ubu nyene, Imana iratembagaza agasuzuguro kari kuri wewe ubu nyene kandi uzotsindira igihugu co mw'ijuru.